- **Muryango wa Nyenicubahiro Nkurunziza Petero turiko turasezera uno musi,**
- **Banyacubahiro mwese mukoraniye ngaha,**
- **Banyakwubahwa mwese umw'umwe mu cubahiro Imana yamuhaye,**
- **Barundi, Barundikazi, Bakunzi b'Uburundi;**

1. Ntivyoroshe kuronka amajambo abereye mu bihe nk'ibi, aho umuryango wa Nyakwigendera Nyenicubahiro Petero Nkurunziza, incuti ziwe n'igihugu cose, twese twabuze tutagaraguye, Umuvyeyi, Umukunzi, Umutabazi, Umuhanuzi n'Umukuru w'Igihugu.

2. Imana yaremye Petero Nkurunziza ikamugabira Abarundi mu gihe urunganwe rwiwe rwari rukeneye Umutabazi, Imana yamuhaye gukurana umutima w'urukundo rurengera ububisha, ubuhemu n'inabi vyamukomerekeje kuva akiri muto, Imana yamuhaye ubuhizi, ubutore n'ubutwari vyamutumye kurinda mu bihe Abarundi twari dukeneye Kiremesha, Imana yamutumye kwegeranya, kuremesha, kwigisha no guhanura Abarundi mu gihe bari bacitse ivutu, iyo Mana irakaninahazwa mu Burundi no kw'isi yose.

3. Ni vyo turazi ko turi ingenzi kuri ino si, kuko ata wamaho, igihe kigeze Imana irasubira ku vyayo kuko na kare ba sokuru ni bo bayamaze bati: «**Imana ntigaba iratiza**». Nkako, none ko yari yamudutije, iyo itirura ataraturangurira ivyo vyiza vyose adusigaranye, twari kuvuga iki? Kugira ngo tureme, ni tugume riho dushima Imana yo yamuturemeye, ikamukuza hanyuma akaturamira.

Ariko naho tuzi ko urupfu rudateguza, ko atawuzorusimba, kandi ko ari ntiruhungwa, biratugora cane kumenyera no kuvyakira cane cane iyo tubuze umuntu w'Icubahiro n'Igikundiro nka Nyenicubahiro Nkurunziza Petero.

4. Igenekerezo rya 8 Ruheshi umwaka w'2020, wabaye umusi mubi ku muryango w'uyu Nyakwigendera turiko turasezera uno musi; umusi mubi ku Barundi bose no ku bakunzi b'Uburundi, kuko ijuru risa n'iryatwubamyeko, tugwa igihumura nk'abakubiswe n'inkuba.

5. Nyenicubahiro Petero Nkurunziza ntiyari umukuru w'igihugu asanzwe, kuko nta muntu n'umwe mu Burundi no kw'isi yose atatangajwe n'ingabirano Imana yamuhaye.

Abatwaye Uburundi imbere yiwe, bari batumenyereje ko Umukuru w'Igihugu ari intashikirwa, umuntu wo hejuru, umuntu w'i Bujumbura, Umunyabiro, umuntu aja mw'isengero ari uko agiye kwifotoza. Abarundi n'amakungu aho baboneye ukwicishabugufi kwiwe, benshi vyarabagoye gutegera, bamwe mbere vyarabatsitaje.

6. Kukaba nkako, imbere ya Nkurunziza Petero, nta wundi Mukuru w'Igihugu, haba mu Burundi canke muri Afirika nzima, yigeze yiyegereza Imana nka we, Umukuru w'Igihugu adatinya kugaragaza ukwemera kwiwe, atibagira gushimira Imana igihe cose afashe ijambo, Umukuru w'Igihugu asenga ashize amanga, aha Icubahiro Imana kandi akayitambira ben'umurango babona.

7. Nta wundi Mukuru w'Igihugu twari bwabone yitaho akongera akiyegereza abanyagihugu nka we, nta n'umwe yigeze agira ingendo nk'izo yagize mu gihugu hagati, agafata isuka n'ibindi bikoresho akarima, akimbura, akorora, akegeka, akikorera amabuye, akubaka, agakora ibikorwa rusangi ari kumwe n'abanyagihugu; ibikorwa rusangi biheze akigisha abanyagihugu, agakina umupira hamwe na bo, bagasangira ku nkoko imwe, ivyo vyose akabikorana umutima wubaha Imana yo itanga vyose, akaboneraho no kutwibutsa ko ataco turi tutagizwe n'Imana, kandi ko ataco dufise tutahawe n'Imana.

Muvyewi wacu Nkurunziza;

8. Ukurangiza urugendo rwawe hano kw'isi kudusigiye umubabaro, intimba n'agahinda. Kandi ni ibisanzwe kuko n'uwutari wewe araturiza, tukamugandarira nkeswe wewe wari Kirumara muri vyose kandi ukaba Kiremesha mu Gihugu. Umutima uravyakira ariko umubiri urananirwa, tugacika inkokora, twibutse ico wari umaze mu muryango no mu gihugu, imigambi twariko turakorana, iryo twayaze n'ivyo twategekanya gufashanya.

9. Abakoresha Bibiriya, murasoma Inkuru Nziza yanditswe na Yohani mu Kigabane ca 11, kuva ku karongo ka 33 gushika ku ka 35. Inyuma y'urupfu rwa Razaro, Yezu yarabonye umubabaro Mariya afise, na we nyene aca ararira. Abantu babonye Yezu arize, baciye bavuga bati: «Raba ingene yakunda Razaro!».

Ntiturizwa n’ubusa, turizwa n’ikiri Ukuri, turirira Umukunzi yadukunze ururengeye urwo tumukunda.

10. Nkurunziza yari inkinzo ikingira iteka n’itekane vy’igihugu, yari Akarorero k’indongozi nziza ibona iyo iyobora yerekeza igihugu. Muri make, ni Umukunzi SOMAMBIKE, Umukunzi PFAMPFE w’Uburundi. Iyo Imana yari kutugisha inama, haba namba si we twari gutanga.
Ariko turabizi Mana yacu: Umurimyi w’amasaka ntatangura kugesa ibishishi, ahera nyabuna kuyarimwo. Reka twiremeshe mu kuvuga tuti: «Wamwiyegereje kare kuko ari umweranda, abanyakibi ntibamwanduze».

11. Mana y'Uburundi, turarushe ariko turazi ko tuzoruhuka. Turaremerewe ariko turaremye. Ikituremesha kuruta vyose ni uko tuzi ko uwukwiyegetseko utamutetereza. Ni wewe nyene wivugiye uti **«Nimuze mwese abarushe ndabaruhurire, nimuze mwese abaremerewe ndabaremurure».**

12. Twareguriye Imana Uburundi bwacu kandi ntitwihenze. None Mukunzi Muhire Nkurunziza Petero, turagushikirije Imana yagukunze kuturusha. Duhiriwe duhishije, kuko ugiye kutubera umukandizi, nkako urazi aho udusize. Genda utubere mu ngoro tubandanye kugabana. Ntituzokumaramaza, tuzogumiza ikirenge mu makanda yawe, kurya nawe wagendeye mu makanda y'abatuboneye izuba nka Ntare Rushatsi, Mwezi Gisabo, Rwagasore, Ndadaye n'izindi mfura z'Uburundi.

13. Imana yaraduhaye vyose, ibiboneka n'ibitaboneka, ariko hari ico yagize ibanga. Ico na co si ikindi ni itanguriro n'iherezo ry'ubuzima bw'umuntu. Aho ni ho hakomoka amazina nka **Bizimana, Bimenyimana, Nahishakiye, Ntiharirizwa, Ntijinama**, n'ayandi. Ni na ho hakomoka wa mwibutsa wa basokuru ngo **«Ntihapfa uwukuze hapfa uwugeze».**

14. Ugiye mu gihe twari tugukeneye cane. Nkako wari Inararibonye ibushitse, Imboneza yamize akabuye k'Abagabo. Jewe ubwanje ndahomvye Umuhanuzi Mukuru, umwe abazwa vyose, akaba azi n'akari mu nda y'Ingoma nk'uwayikanye, wawundi amenya n'icasongoye ihwa. Abarundi turabuze Umuremeshakiyago, Umwigisha Kaminuza n'Umuvyeyi yuzuye urukundo n'impuhwe.

15. Iragi udusigaranye tuzoguma turizirikana. Iryo ragi na ryo muri make ni iri: **(1)** Imana ihawe ikibanza ca mbere mu Burundi; **(2)** Kuzirikana no kugendera iyerekwa ngenderwako rya Seburundi Ntare Rushatsi Cambarantama, ni ukuvuga **«Iteka ry'Uburundi n'abuzukuruza»; (3)** Kuzirikana Uburundi no gusubira ku karanga n'imico myiza ya ba Sokuru; **(4) k**ugira ubwenge, ubwitonzi, ukwihangana n'iherezo ryiza muri vyose na hose; **(5)** Kugira urunani rw'intamenwa mu kubumbatira Amahoro, Umutekano n'Ubumwe vyo mushinge w'Iterambere rirama.

16. Kubera wewe, Nyenicubahiro Nkurunziza, twaramenye neza ko Uburundi bufise iyo buva n'iyo buja, twongera turamenya ko Uburundi butazira ikibi bwakoze, ko nyabuna buzira aho Imana yabuteretse n'ivyo yabuteretsemwo.

17. Abazi Nkurunziza Petero muri Kaminuza, mw'Ibanga ryo kwigisha, ku rugamba rwo guhabuza Demokarasi no mu burongozi bw'Igihugu, barazi ko Amahoro, Ubumwe, Ubuntu n'Ubutungane mu mvugo no mu ngiro, vyari igitero n'icitabirizo kuri we.

Nyenicubahiro Mboneza y'Abarundi;

18. Intambwe mugiye mudushikanyeko, ni icibutso kizokwama kitwibutsa Umukuru w'Igihugu rurangiranwa, atagera umutwe ikibazo ico arico cose, kandi adatinya kumena umushike. Intwari mu rugamba, inserukarukamvye «itikinga amacukiro amacumu aca ibigango urw'abahungu rwaramutse». **Igire mugenzi wagendanye n'Abarundi mutagenzanya. Iryavuzwe riratashe, nk'uko vyamye na mbere hose, Intore ntiramba!**

19. Waradukuye mu gisaka udusasagaza mu gisagara, Igihugu wasanze ari umusaka waragisakaye, udusize mu ngoro amakungu akubitizako akajisho agatamarirwa; udusigiye icitegererezo ku bariho, abuzukuru n'abuzukuruza. Nk'uko wabiduhimirije, tuzokugamburukira mu gusozera igikorwa watanguye, twubake Ikirimba hambavu y'Ingoro, dushitse rya sezerano ry'igiseke gishigikiye kandi gishishiriye.

Igicaniro c'isezerano, ko **Imana tuyihariye ikibanza cambere**, tuzokibandanya kugira akotsi kazokwibutsa abazoza, abuzukuru n'abuzukuruza, kagume kirungera kugira ngo nabo bazogumye iragi udusigiye. Jeho urazi ko twayaze vyinshi, unsigiye umutwaro munini, wo kwubaka iterambere mu gihugu. Uraguma unsabira, kandi ndavyizeye, Imana izomfasha kurya yakugumye impande, nanje nshike kw'ishaka ryayo.

Barundi benewacu;

20. Muze dukomeze Iragi ry'Umuvyeyi twabuze tutanka. Tumurikiwe n'Ivyumviro birashe vy'Imboneza kizigenza, tuzobandanya Inyigisho zo kuzirikana Igihugu, Abarundi turushirizeho guca ubwenge, tumenye umwansi, n'umukunzi, tumenye umwonga uhuma n'uwudahuma, tumenye gutandukanya icatsi n'ururo.

21. Mu ntumbero yo gutera Iteka Nyenicubahiro Nkurunziza Petero nk'Uko na we atahengeshanije kuritera abaribereye, iruhande y'Icumba cagekewe Inama y'Abashikiranganji twamaze kumwitirira, tugiye kurondera Inyubakwa y'Iteka tuzomwitirira.

22. Turasavye Umuntu wese azoca hafi ya kirya kibanza aruhukiramwo, yaba uwugenda n'amaguru canke uwugenda n'ibihinda, guhagarara akazirikana Iragi ryiza dukesha Nyenicubahiro Nkurunziza Petero. Mbere uwubishimye avuge ati: **«Mana, twongere kandi udukomereze abameze nka Nkurunziza mu Burundi».**

Muryango, Bakunzi, Bagenzi, Shengero mukoraniye ngaha;

23. Mu myaka 15 Nyenicubahiro Nkurunziza Petero yamaze arongoye Uburundi, Igihugu caraciye mu bihuhusi n'ibisebuzi vyinshi. Ubwato ntibwazamye nk'uko abansi b'Igihugu bavyipfuza, kuko umusŏza w'ubwato Nkurunziza Petero ntiyigeze ahungabana kandi ntiyagoheka. Yarateramiye Iteka n'Itekane vy'Uburundi, yarahagarariye igihugu nk'umugabo w'ijunja n'ijambo, yaraharaniye inyungu z'Igihugu, ijoro n'umurango.

24. Muribuka ijambo yakunda kwivugira ati: **«Amazi yashuha canke yakanya, sinzobahemukira».** Imforo ya Nkurunziza ni yo yatumye ibihuhusi n'ibisebuzi bisuma birenga. Ese Abarundi twesee twotorana, iragi ryiwe rikaba nk'akagozi katwungira ubumwe, isôko ridakama abuzukuru n'abuzukuruza bacu bazokwama bavomamwo, Igicaniro kitazima Abarundi b'ubu n'abejo bazokwama barahuramwo.

25. Mu gusozera, nashaka nsubire guhoza umuryango asize: umutambukanyi wiwe, ibibondo vyiwe, abarerwa, umuvyeyi wiwe, abavukanyi biwe n'igihugu cose. Ntimugire ubwoba, Imana Serukundo Nkurunziza yashingiye intahe adahengeshanya iri kumwe natwe. Ntidukekeranya ko na twebwe izodushoboza kuguma hafi y'abo asize twisunze wa muco mwiza wo gushigirana no gutabarana yatwigisha.

26. Turangije dusubira gushimira Imana ku vyiza yadukoreye iciye kuri Nyenicubahiro Nkurunziza Petero. Ni ivy'ukuri, Igihugu kirabuze intwari y'agiciro ntangere, ariko iki si ighe co kwihebura no gucika inkokora. Duhaguruke nyabuna twereke amakungu ko duhagaze, nakare **«Uwuvunitse aca yiga gucumbagira»**.

Ivyo yavuze vyose, ivyanditswe mu bitabu n'ivyanditse mu mitima tubigendere, twerekane ko turi impfuvyi ariko tutari intano, ko turi ba Samuragwa babushitse. Abazotubona bazovuge bati hashengeye Nkurunziza, ba Nkurunziza baracariho!

27. Nyenicubahiro Sogokuru wigiriye, kunda utubabarire aho hose twăkugābiye kandi wáratúgabiye. Muvyeyi wuzuye Urukundo, Mwigisha twahisemwo nk'Imboneza yamaho, Abarundi turakwikebanuye, genda wiruhukire amahoro i buryo bw'Imana, kandi usabire abo usize. **Ni wigire Amahoro, Imana ikuronse uburuhukiro buhoraho. Ni Agasaga, Genda Nkurunziza uri Umugabo!**